LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

## "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°536 co kuva kuwa 20 gushika kuwa 26 Mukakaro 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 26 Mukakaro 2026, abantu bashika 876 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0.INTANGAMARARA.....5*


*I.UMWIHWEZO.....5*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.....12*

*III.UBURENGANZIRA KU MIGWI.....14*

*IV.UGUSOZERA N'IBISABWA.....14*

**INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023**



## *IMPFUNYAPFUNYO*

***CDS :** Ikigo c'ubuvuzi*

***CECI :** Umugwi wigenga utunganya amatora mw'ikomine*

***CEPI :Umugwi wigenga utunganya amatora mu ntara***

***CNDD-FDD :** Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi*

***CNL :** Ihuriro ry'abanyagihugu baharanira ukwishira no kwizana*

***DCE :** Ubuyobozi bw'indero muri komine*

***DPE :** Ubuyobozi bw'indero mu ntara*

***ECOFO :** Ishure shingiro*

***M23 :** Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante*

***OBR :** Ikigo kijejwe amakori mu Burundi*

***OPJ :** Inyamiramabi*

***OTB :** Ikigo kijejwe icayi mu Burundi*

***RDC :** République Démocratique du Congo*

***RN :** Ibarabara ry'igihugu*

***UPRONA :** Urunani ruharanira iterambere mu Gihugu*

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

0. INTANGAMARARA....................................................................................................4

I. UMWIHHWEZO....................................................................................................4

I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE ....................................................................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ....................................................................................................7

I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO.................................................................................................... 8

I.4.UMWIHWEZO W'UBUFASHA....................................................................................................10

1.5. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE....................................................................................................10

II. UMWIHWEZO W'ABANTU NO MURI POLITIKE ....................................................................................................11

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA....................................................................................................11

II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE ....................................................................................................11

II.2. UBURENGANZIRA BWO UKUDAKUBAGURWA....................................................................................................11

II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU....................................................................................................11

II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO....................................................................................................12

III. UBURENGANZIRA KUMIGWI....................................................................................................13

III.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA....................................................................................................13

III.1.1.UBWICANYI BUTEGUWE....................................................................................................13

IV.UGUSOZERA N'IBISABWA....................................................................................................14

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu mu Burundi muri ino ndwi yo kuva kuwa 20 gushika kuwa 26 Mukakaro 2026. Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka uranihweza ibijanye n'umutekano,poritike,intwaro hamwe n'ubufasha.Kiranihweza kandi amabi yerekana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike vyaranze iyi ndwi.

Amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze uku gukwirikira : n'imiburiburi abantu 6 barishwe harimwo ibiziga 3 vyatowe,2 arivyo inzoya.Abana 2 bahitanywe n'igisasu ntezwantoke,umuntu 1 yahitanywe n'umuyagankuba w'igiti c'amatara caguye mw'ibarabara.Abantu 3 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 2 bashurashujwe hamwe n'abantu 3 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abo mu ntwaro,abaporisi,abasirikare,abakozi b'iperereza hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE

Mu vyegeranyo biherutse,umuhari Iteka wari wi wavuze ku myiteguro y'amatora y'umukuru w'igihugu yo mur mwaka wa 2027 iriko iraba.Iyo myiteguro yaranzwe n'urukwirikirane rw'amanama ya poritike hamwe n'ukwerekana nyezina abagize umugwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora ku rwego rw'igihugu (CENI) hamwe n'imigwi yigenga ijejwe gutegura amatora ku rwego rw'intara (CEPI). Munyuma,abagize imigwi yigenga ijejwe gutegura amatora ku rwego rw'amakomine (CECI) nayo nyene yarakoreweko kandi birabandanya.Twomenya ko izo izo nzego zakozwe husunzwe n'umugambwe uri ku butegetsi,CNDD-FDD.Bagizwe ahanini n'abanywanyi b'uwo mugambwe hamwe n'abo bacuditse n'abo bakundana. Ivyo bituma hibazwa vyinshi kuvyerekeye ukwigenga kwabo nyezina mugihe c'integuro y'amatora,co gutora hamwe n'ico guharura ivyavuye mu matora.Iruhande yo gucanishamwo no guteranya imigambwe itavuga rumwe na Reta,ibiri ubu vyerekana ugusuzugura bikabije ingendo ya demokarasi,gutyo bigatuma icizere c'amatora yigenga kandi arimwo umuco kiba gito.

***Ukwerekana abagize umugwi CECI i Bugendana.***

Kuwa 22 Mukakaro 2026, komine Bugendana yaratunganije ukwerekana abagize umugwi wigenga ujejwegutegura amatora mw'ikomine (CECI) mu matora y'umukuru w'igihugu wo mu mwaka wa 2027. Igikorwa cuguruwe na musitanteri wa komine Bugendana, Ciza Melchiade.Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara (CEPI) Gitega waserukiwe na Nahimana Léonard, ari mubagize CEPI akaba n'uwukwirikirana komine Bugendana mugihe c'ayo matora.

Abagize umugwwi CECI berekanywe ni :

Umukuru w'umugwi : Bankibigwira Paul (Hutu, CNDD-FDD), yari asanzwe ari muri ico cicaro mu matora yo muri 2025 ;

Icegera c'umukuru w'umugwi : Ndacayisaba Emelyne (Tutsi), yashizweho na CENI ; nawe nyene yari mu mugwi CECI 2025

Uwujejwe ibikoresho : Nsengiyumva Jean-Marie Viateur (Hutu), yashizweho na CENI ; nawe nyene yari muri CECI 2025.

Abagize ibiro ni Ndayisaba Roger (Hutu), yatanzwe na CNDD-FDD ; Akimana Evode (Hutu), yatanzwe n' ishengero FECABU, Nizigiyimana Pascasie (Tutsi), yatanzwe n'intwaro ; Niyonkuru Innocent, Hutu yatanzwe n'ishengero Anglicane.

Nkuko vyagenze igihe herekanwa abagize umugwi CEPI,abavyitavye batumiriwe kutanegura na kimwe ku bantu bagenywe,ariko ko bosuzuma ko mu gushiraho umugwi hisunzwe amoko,igitsina hamwe n'uguserukirwa kw'imigwi itandukanye vyonyene.

Ababijejwe baranasiguye ko,aho bitandukaniye n' imigwi itegura amatora yahahora,ubutegetsi ubu buregira uruhara mukwemeza abo berekanywe kugira biboneke ko abantu batanzwe bashoboye amabanga yabo,bagatomora ko abarongozi aribo bambere babibazwa iyo hari ibigenze nabi mu matora.

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE* *(Ibikurikira urupapuro 5)*

Abantu 2 baragize ico bashikiriza harimwo Nsabimana Emmanuel,aserukira umugambwe UPRONA muri komine yashikirije ko adatahura igituma umugambwe wiwe udaserukiwe muri CECI Bugendana avuga ko utanaserukiwe mu bahanuzwajambo ba komine.Inyishu yabaye ko,naho UPRONA itarose intebe n'imwe muri iyo komine, iraserukiwe mu ma CECI 5 muri 9 zigize intara ya Gitega,uwaserukiye umugwi CEPI yaravyongeyeko muri ivyo birori.

Kubwa Mbazumutima Anatole, uwuserukira umugambwe CNDD-FDD muri iyo komine, yarakengurutse ishirwaho ry'umugwi mu kwerekana ko umugwi uri ku butegetsi ufisemwo intebe 2 gusa ,izofata ko ari zidakwiye. Ababitunganije bamwishuye ko abantu bamwe bamwe bashizweho bavuye mu yindi migwi bashobora no kuba ari abanywanyi b'uwo mugambwe.

Inama yarimwo n'abatwara ama zone bose hamwe n'abatwara imitumba yo muri komine.

Mu biganiro,ubutumwa bwarasubiwemwo kenshi buvuga ngo « kugwanya abagize inzego z'amatora (CENI,CEPI canke CECI) ni nko kugabira inzego canke gushaka kudurumbanya umutekano ».

## *UKWEREKANA ABAGIZE UMUGWI CECI MU RUMONGE*

Kuwa 22 Mukakaro 2026, igihe c'isaha 4, kuri komine Rumonge, harerekanywe CECI Rumonge izotangura ibikorwa vyayomu kwezi kwa Myandagaro 2026.

Ijambo ryo kubakira ryavuzwe n' umunyamabanga nshingwabikorwa wa komine Rumonge yibukije abari bahari ko komine igizwe n'amazone 13yavuye mu yahoze ari ama komine harimwo Rumonge, Burambi na Buyengero aca aha ijambo uwuserukira CPI Burunga yateye iteka ivyo bikorwa.

Uwo yarerekanye abagize umugwi uhurikiyemwo abantu 7 harimwo uwuwurongoye Birikumana Dieudonné, umu Hutu wo muri CNDD - FDD, icegera Kantungeko Christine, umu Hutu wo CNDD-FDD,uwujejwe ibikoresho Dushimirimana Adeline,umu Tutsi wo muri APDR, hamwe n'abanywanyi 4 bakurikira : Nzirubusa Omar,umu Hutu,akomoka mw'idini (musulman), Mpfukamensabe innocent,umu Hutu, UPRONA, Niyogusenga Diane, umu tutsi, CNDD-FDD, Bukeyeneza Etienne,umu tutsi, OSC (MIPAREC)

Twomenyesha ko abari muri uwo mugwi bari bagizwe n'abakomoka mu mashengero, imigambwe, amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike hamwe n'abakozi bo muri komine.

## I.1. *UMWIHWEZO WA PORITIKE (Ibikurikira urupapuro 6)*

**Ukwerekana abagize umugwi CECI muri komine Butaganzwa, intara ya Buhumuza**

Kuwa 21 Mukakaro 2026, muri komine Butaganzwa, CEPI Buhumuza yarerekanye abagize CECI y'iyo komine.Kubwo amakuru twatororokanije ho, bisa n'uko abagize umugwi bose bakomoka mu mugambwe CNDD-FDD canke mu bacuditse nawo,kandi basa n'abagizwe n'ubwoko bumwe.

Abagize CECI berekanywe ni aba :

⇒ Umukuru w'umugwi : NDAYISENGA Hyancinthe ; igitsina gore ; umu Hutu, CNDD-FDD

⇒ Icegera c'umukuru w'umugwi : NISHIMWE Lionnel ; igitsina gabo, umu Tutsi, intwaro

⇒ Chargé du matériel : NDIKUBWAYO Innocent ; i gitsina gabo, umu Hutu, CNDD-FDD

Abagize i biro:

⇒ DUSABE Amandine ; igitsina gore, umu Hutu, intwaro

⇒ NDUWARUGIRA Vanessa ; igitsina gore, umu Hutu, intwaro

⇒ NTIHEBUWAYO Marie Chantal ; igitsina gore, umu Hutu, APDR

⇒ NDAGIJIMANA Jérémie ; igitsina gabo, umu Hutu, ACOPA Burundi

***Ijambo rya poritike ry'unugambwe CNDD-FDD hamwe no gusubiza ibitungwa ku mupaka w'Urwanda n'Uburundi***

Kuwa 22 Mukakaro 2026, inkuru yashikiriye umuhari Iteka,imenyesha ko benshi mu barongoye CNDD-FDD bagendeye ama zone yo mu makomine ya Bukinanyana, Mugina na Cibitoke, mu ntara ya Bujumbura. Muribo harimwo abarungitswe n'umunyamabanga mukuru w' umugambwe ku rwego rw'igihugu (Révérien Ndikuriyo), ubo ku rwego rw'intara(Wilson Ndayishimiye, Gertrude Niyokindi) n'abo ku rwego rwa komine (nka Anitha Nininahazwe wa Mugina).

Abo baserukira umugambwe bemeza ko batanga ubutumwa bwihuta bw'umunyamabanga mukuru, bugabisha ku ntambamyi zishobora kuva kuri Paul Kagame, umukuru w'igihugu c'Urwandale,ku Burundi. Bashigikira ko hamwe CNDD-FDD itohaba,igihugu coterwa na Kagame,yafata nk' "umwicanyi n'umusuma". Kubwo ivyo bavuga, inyuma y'aho atereye akajagari muri Kongo agaca akubitwa n'abasirikare b'Uburundi hamwe n'Imbonerakure, Kagame kuva ico gihe yasa n'uwugomba gutera u Burundi kugira yigarurire ubutare CNDD-FDD n'umukuru w'igihugu Évariste Ndayishimiye batoye.

Abo barongozi bongeyeko ko abanyagihugu bo mu Rwanda bari bugarijwe n'ikigoyi,gutyo bigatuma abanyarwanda bigenza ku Barundi baba ku rubibe kugira babibe mu mirima.Iryo jambo rigamije ukwiyamamaza ryari iryo gutera integer ababa I Bujumbura bagarukane icizere kuri Évariste Ndayishimiye mu matora yo muri 2027.

Babura ko hamwe batosubira kumwizera vyoshobora gushikana abarundi mu kaga gasa n'ako abanyakongo barimwo.Ubwo butumwa bwakwiragijwe inyuma yo gusubiza ku mugaragaro ibitungwa,vyabaye kuwa 24 Ruheshi 2026 igihe c'isaha 7 n'igice ,ku rubibe rwa Ruhororo-Bweyeye. Muri ako kanya, umugwi uhurikiyemwo bose uraba ivy'umutekano muri komine Mugina waratanze inka 3 zari zafashwe kuwa 24 Ndamukiza w'uyu mwaka nyene, ku mutumba Ngoma, muri zone Rubona. Amatohoza yari yasanze izo nka zari zibwe mu Rwanda, neza na neza mu Rushwati,mu gace ka Bweyeye akarere ka Rusizi.

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE (Ibikurikira urupapuro7)*

**Ukutihanganiranira muri poritike muri komine ya Cankuzo, intara ya Buhumuza**

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 25 Mukakaro 2026 ivuga ukutihanganiranira muri poritike muri komine ya Cankuzo, intara ya Buhumuza. Nk'akarorero kavyerekana kuwa 12 Mukakaro 2026 ku mutumba Nyarurambi, uri muri zone Kigamba yo muri komine Cankuzo, Audifax Kwizera, umunywanyi w'umugambwe CNL,yarahohotewe n'urwaruka rw'imbonerakure zo kuri uwo mutumba.Kubwo amasoko yaho, izo mbonerakure bategetse Audifax Kwizera kwambura ishati yari yambaye kugirango yambare aga pira k'umugambwe CNDD-FDD.

Imisore yari muri ayo mabi ni : Gérard Niyonzima, Donatien Gasaba na Yvan Mbayahaga, bose abanywanyi b'imbonerakure zo kuri uwo mutumba.Kubwo ayo masoko nyene,ivyo vyabaye mugihe izo mbonerakure zari zivuye mu bikorwarusangi. Kubera Audifax Kwizera ari umunywanyi w'umugambwe CNL kandi akaba atitavye ivyo bikorwa,yagirijwe ko arwanya iterambere, ivyo baguma basubiramwo.

**Ibikorwa vy'urutavanako vy'umugambwe uri ku butegetsi mu ntara ya Buhumuza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 25 Mukakaro 2026 ivuga ko mu ntara ya Buhumuza, kuwa17 na 18 Mukakaro 2026 haranzwe n'igikorwa gishigikiwe n' umugambwe uri ku butegetsi.Umugambwe CNDD-FDD wateguye inama mu mazone yose agize intara muri iyo misi 2 ,ni ukuvuga kuwa gatanu17 no kuwa gatandatu 18 Mukakaro 2026. Intumwa z'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD zarakwiragijwe mu ma zone yose y'intara,zifise ubutumwa bumwe buvuye ku munyamabanga mukuru w'uwo mugambwe nyene,bugizwe n'ivyiyumviro 7 vyavuye m'ikoraniro rukokoma.

Ivyo vyiyumviro birimwo: ugutunganya iterambere ku myaka 5,ugutera intege abanyagihugu mukwimba nyabarega ,ukugwiza amashure y'uburaro,ugusubiriza abigisha mu ma zone ubukene bwabo bwibonekeza,ukurwanya ibinyobwa bikaze bibujijwe n'amategeko canke birengeje rugero mu gukara, gukebura abatware ngo barangure amabanga yabo neza kandi babe akarorero,hamwe no gukomeza umwumvikano hagati y'abatwara umugambwe uri ku butegetsi hamwe n'abarongozi.Vyongeye,izo ntumwa zaranasavye abitavye kwitegurira amatora yimirije y'umukuru w'igihugu kugira baronke 100 % nk'intsinzi y'umugambwe uri ku butegetsi.Baradomyeko ko hatategerezwa kuba hacumvikana uwundi mugambwe ku butaka bw'igihugu.

**Intererano zitegekwa hamwe n'inkurikizi zazo mu ntara ya Buhumuza**

Kuwa 28 Mukakaro 2026, muri komineGisuru, iri mu ntara ya Buhumuza, ku rubibe rw'imitumba Bwihaniza na Gacokwe,imisore y'imbonerakure,ziri mu mugambwe uri ku butegetsi,baratanguje ikirindiro c'ugusuzuma.

Abarengana bose bafise imyaka 18 n'iyirenga bategerezwa kwerekana urupapuro rwerekana ko barishe intererano 2 :imwe igenewe kubaka i biro vy'intara ya Buhumuza hamwe n'iyindi yo kwubaka i biro ya komine Gisuru. Kubwo amakuru yatororokanijwe ho,izo ntererano zigera uko zikwirikirana ku 2000 fbu n'7000fbu.Abantu badashobora kuronka urwo rupapuro bategerezwa gusubira muhira,bagahabwa ikiringo c' indwi y'ikigongwe.Inyuma yo kuwa 5 Mukakaro 2026,abatarose izo ntererano bazobima uburenganzira bwo kwivuza,kw'isoko,hamwe n'ukuronka ivyangombwa bitangirwa muri komine.Ayo masoko nyene yigana ko kuva kuwa 5 Mukakaro 2026, ku mutumbaYogero, muri iyo komine nyene,ugucererwa kuriha bihanishwa ihadabu ry'amahera angana n' 100 000 fbu. Muri komineya Cankuzo, ku mutumba Muyaga, hiyongerako, iruhande y'intererano itegerezwa ku muntu wese afise imyaka 1 n'iyirenga mu ntara yose ya Buhumuza, amahera 5 000 fbu yo kwubaka inyubakwa ikoreramwo umukuru w' umutumba. Ku rundi rughande,umuryango wose utegerezwa guterera amahera angana n'2 000 fbu yagenewe kwinjira iyo nyubakwa ; uwudashoboye gutanga ayo mahera,abwirizwa gutanga ibikombe 2 vy'ibigori.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

***Abana 2 bishwe n'igisasu ntezwantoke,muri komine Rutana, intara ya Burunga***

Kuwa 23 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 7, ku mutumba Gifunzo, zone na komine Rutana, intara ya Burunga,abana 2harimwo John Kelly Nkurunziza, afise imyaka 17 na Audry Irangabiye,afise imyaka 14 ,barapfuye kubera igisasu ntezwantoke.Kubwo amakuru yaho,abo bana bariko bakinisha ico gisasu abavyeyi babo atariho bari harimwo Ildephonse Nkurunziza,umuporisi akorera muri komisariya ya komine Nyanza- Lac na Alice Nshimirimana, umugore wiwe.Abo bana bariko bagerageza kugurura ico gisasu bakoresheje inyundo imbere y'inzu iwabo.Ico gisasu cari mu bikoresho vya se wabo.Ayo masoko nyene yongerako ko inyundo bakoresheje yari imbere y'inzu iwabo co kimwe n'urupeta rw'ico gisasu.Umwe yarapfuye ubwonyenemugihe uwo bavukana yacikaniye aho bakirira indembe mu bitaro bikuru vyo mu Rutana.Ildephonse yarahagaritswe n'igiporisi aca arapfungirwa mu gasho ka komisariya ya komine Rutana kumvo z'amatohoza.

***Uguturira uruhongore rw'inka muri komine Karusi mu ntara ya Gitega.***

Kuwa 21Mukakaro 2026, hafi isaha 6 z'ijoro, ku mutumba Nzibariba, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, uruhongore rw' uwitwa Alphonse,umunywanyi wa CNDD-FDD,afise imyaka irenga 52,yarahiye ituriwe n'inkozi z'ikibi zitaramenyekana.Kubwo ivyabona vyaho,yarakomye induru atabaza hanyuma ababanyi baraje imbere y'uko inka ziwe 3 zisha n'aho ikigangara catokombeye.Abo babibonye nyene barongerako ko uwo tatuririwe ikigangara ata ngorane afise mu kibano ariko afitaniye amatati n'umukenyezi wiwe haciye indwi 2 agiye buje.Igiporisi kivuga ko catanguye amatohoza yaco

***Isanganya rikomeye kubera umuyagankuba muri komine Bubanza, intara ya Bujumbura***

Kuwa 21 Mukakaro 2026, muri karatiye Muzinda, muri komine Mpanda mu ntara ya Bujumbura,harabaye ikintu kibabaje.Igiti c' amatara,kimaze kumera nabi,gifise intsinga z'amatara zitwara umuyagankuba ugereranye,caguye bwarumye kw'ibarabara ricamwo abantu.Kubwo amahirwe make,imihora y'amatara yari hasi yatumye haba urupfu rubabaje rw'uwugendesha ipikipiki,yamurabije ubwonyene.Iryo sanganya riteye ubwoba ryegetswe ku gufata minenerwe kw'abakozi ba REGIDESO, bari baburiwe kenshi n'abahaba ko igiti c'amatara cononekaye bikomeye. Buca ibara rirwa, kuwa 22 Mukakaro 2026, imigwi ya REGIDESO yaranyarukiye aho vyabereye kugira basubirize ivyo biti vy'amatara 3, bagerageza gutyo kugarukana umutekano muri abo bantu bababaye.

***Umugabo umwe yarakubiswe yongera arakomeretswa muri komine Karusi mu ntara ya Gitega.***

Kuwa 26 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha imwe y'ijoro,ku gacimbiri Kagoti, umutumba Mwoya, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega,uwitwa Ezéchiel,umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka 35 yarateze umutego muramuwe ARAKAZA,

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO* *(Ibikurikira urupapuro9)*

umunywanyi wa CNDD FDD,afise imyaka 26 aca aramukubita imbere yo kumukomeretsa n'ibuye mu mutwe.Kubwo ivyabona vyaho,amamuko y'uwo mutego n'uko uwo yabikoze yari yakubise umugore wiwe kuwa 21 Mukakaro 2026 mugiheARAKAZA arikumwe n'abafundi biwe bariko bubaka inzu yiwe iruhande y'inzu ya Ezechiel. Baraje gutabaye hanyuma Ezéchiel aca abirukana n'umupanga hanyuma bahamagara ifiporisi camupfunze ikiringo c'imisi 2.Yararekuwe kuwa 23 Mukakaro 2026 aca ararahira ko azokwihora kuri muramuwe ARAKAZA.Kubwo isoko rihegereye,yagomba kumwica ariko abahita baratabaye uwo yakubiswe yarajanywe ku bitaro vy'iBuhiga aho ariko aravurirwa mugihe uwabikoze yasubijwe mw'ibohero ry'igiporisi i Buhiga.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### ***Ukubura ifumbire muri komine Mwaro mu ntara ya Gitega.***

Kuwa 24 Mukakaro 2026, umuhari ITEKA warose inkuru ko abarimyi bakorera mu myonga muri komine Mwaro babura umwavu w'ikizungu.

Iki gice c'irima C catanguye hafi mu kwezi kwa Rusama,bafise icizere ko iyo fumbire izoba yabonetse ariko biba imfa gusa.Muri uku kwezi kwa Mukakaro,bamwe bahitamwo gutera ibiterwa vyabo atafumbire kubera abarongozi batababwira ryari iyo fumbire izobashikira.

Ivyo biterwa vyo mu mwonga(ibiraya,imboga,…)birafasha abanyagihugu kurwanya inzara mu mpera z'umwaka.

### ***Ubunyonyezi bw'abatware bo muri komine Muyinga, intara ya Buhumuza***

Abantu bo ku mutumba Kinyota bari mu kababaro kubera amafaranga y'umurengera umukuru w'umutumba Kinyota, Richard ariko arasagata abanyagihugu kugira agure ibomba y'amazi ya Regideso.Inzu yose itegerezwa kuriha 50 000Fbu mu gihe no mubihe bisanzwe ikiguzi c'iyo bomba kutotegerezwa kurenza 150 000Fbu kubwo afundi bateranyw imiringoti y'amazi.

Ababa kuri uwo mutumba baribaza ukuntu bagura ibikoresho vya Regideso mugihe ari ikigo c'ubudandaji categerezwa kugira ibikoresho vyo gutanga amazi n'amakara mu makaratiye ku rugero rushimishije kubera ingo zisanzwe ari abaguzi kandi bariha amahera basabwa bivanye n'amazi canke amatra bifashishije.Twomenyesha ko ababa muri komine Muyinga bashobora kumara ukwezi kurenga atamazi meza kandi bakagura ikidumu amahera 2 000 fbu.

### ***Imigwi y'abasuma irongowe n'abatware i Muyinga, mu ntara ya Buhumuza***

Kuwa 18 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 6 z'ijoro,ku kiraro gihuza Nkoyoyo na Tanzani-ya,umutumba Mageni, zone Kayenzi, komine Muyinga, intara ya Buhumuza, uwahoze ari musitanteri y'iyahoze ari komine Gasorwe ubuakaba ari umunyamabanga nshingwa bikorwa muri komine Muyinga yarahagaritswe ari mu ngendeshwa ya komine Muyinga yo mu bwoko bwa double cabine yuzuye ibifuko binini vy'ikawa yumye hamwe na probox nayo yuzuye ikawa.Kubwo ivyabona vyaho, Imbonerakure zaramucakiye zica zihutira gutera akamo umukuru w'iperereza I Muyinga,yaje kumutora azananye na musitanteri ,umwubahwa Amédée Misago.

Uwikwekwako icaha,arapfunzwe mu gasho k' iperereza ry'igihugu i Bujumbura hegereye cathédrale Regina Mundi,kuva kuwa 19 Mukakaro 2026 kandi abandi basuma barikumwe bari mu gasho k'ipererereza ry'igihugu iMuyinga harimwo uwitwa Robert avuka ku mutumba Mukoni.Umugwi w'abo basuma baba hamwe n'umunyamabanga nshingwa bikorwa ku mutumba wa Mukoni muri karatiye Mukoni yagutse.

### *I.4.UMWIHWEZO W'UBUFASHA KU BANTU*

***Umugumuko w'impunzi zo mw'ikambi ya Busuma, komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.***

Kuwa 22.07.2026, hafi igihe c'isaha 4 zo mu gitondo,impunzi z'abanyakongo ziri mw'ikambi y' impunzi ya Busuma, Zone Kayongozi, komine Ruyigi, intara ya Buhumuza baragumutse mugihe bariko barandikwa n'abakozi ba HCR kugira bahunguke.

Kubwo ivyabona vyaho,icatumye bagumuka n'uko muri iyindwi,impunzi zamenyeshejwe ko atahunguka rizobaho kubera kubura igitoro mugihe mu bisanzwe bahunguka rimwe mundwi,bituma haba uwo mugumuko.

Muri uwo mugumuko,barateye amabuye ku modoka ya HCR y'imparati CD39 B43 kandi baramenye ikiyo cayo.

Igiporisi carihutiye guhungisha abakozi ba HCR bari mu ma biro ataco babaye.Benshi mubari muri iyo migumuko bari nk'abana hamwe n'abagore basaba ko bonyarutsa kubahungura.

Kugira bashwiragitse abagumutse bongere bagarukane ituze,abaporisi bararashe mu kirere.Mugihe yabitegura amashirahamwe yacu ntiyarose amakuru avuga ivyononekaye.Igiporisi carafashe abagumutsi 7 bo kw'isonga b'impunzi,bapfungiwe mw'ibohero ry'inyamiramabi mu Ruyigi kugira babakorere urubanza rubakwirikirana kw'itonga ry'ayo mabi.

Kubwo ayo makuru nyene,kubera ukugundana hamwe n'urwamo rw'amasasu yarashwe n' abaporisi,impunzi zimwe zimwe zararavye hanyuma zirarabuka.

### *I.5.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

***Umuporisi w'igihugu yagiriwe imbere ya sentare y'iyungururizo muri komine n'intara ya Gitega.***

Mu rubanza rw'ikibiriraho rwabaye kuwa 18 Mukakaro 2026, mw'ibohero rikuru ry'iGitega, lieutenant de police Jean Bosco Nayuburundi, umukuru w'ikirindiro ca Buhiga muri komine Karusi, mu ntara ya Gitega,yarahanishijwe umunyororo w'imyaka 5 hamwe n'ukurihishwa ihadabu ry'amahera angana na 100 000 Fbu na sentare y'iyungururizo y'i Gitega kubera yakubitse akanakomeretsa bikomeye yabiteguye.Kubwo amasoko yaho,mw'ijoro ryo kuwa 12 Mukakaro 2026, lieutenant de police Jean Bosco Nayuburundi yararashe Nicolas Nsabimana aho yamukomerekeje ku matako. Lieutenant de police Jean Bosco Nayuburundi yarahakanye icaha yongera avuga ko ari isanganya mugihe yari agiye kubanguranya abantu bari mu matati bariko banywa inzoga mu bunywero bwitwa BANACO BAR mu muji wa Buhiga.

***Umuryango waranyazwe inzu yawo na musitanteri muri komine Muramvya.***

Kuwa 23 Mukakaro 2026, umuryango wa Sindakira Ferdinand,wo ku mutumba Muramvya, komine Muramvya, intara ya Gitega,yaranyazwe inzu yawo iri ku murwa mukuru wa komine Muramvya.

Mugihe wari ufise urupapuro ndangatongo rw'iyo nzu y'umuryango,musitanteri wa komine Muramvya Éric Nkurunziza yaciye ubutungane ku ruhande.

Iyo nzu yari iya Barumpozako Marc, se wa Ferdinand hamwe n'abandi 4 bavukana.Abo rero bari bitwaye ku bashingantahe "Abahuza" nabo babarungika muri sentare.Urubanza rwarakiriwe muri sentare y'intango y'i Muramvya ku nomero RC 8362.

Mugihe rwari ku murongo warwo atangorane, abavukanyi ba Ferdinand harimwo 2 baba mu mahanga baraje mu gihugu guha igiturire musitanteri. Uwo yarahengamye aca abashirira aho bashaka.Ari kumwe n'abaporisi 5 , musitanteri wa komine Muramvya yaraje mu kibanza kuwa 23 Mukakaro 2026 aca ategeka uwari muri iyonzu (umuhungu wa Ferdinand) gusohoka ubutarariye n' ibintu vyiwe vyose: intebe, ibitanda,imatera, ibikoresho vyo mu gikoni....

Mugihe yari atanguye gukekeranya, abaporisi bihutiye kubikora baca bata vyose hanze.Umuryango w' uwabikorewe ntukimenya aho wokwitura.

## II.1. UBURENGANZIRA KU MAGARA

### II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE ABATOWE IBIZIGA

***Ikiziga caratowe muri komine Gishubi mu ntara ya Gitega.***

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 22 Mukakaro 2026 ivuga ko kuwa 16 Mukakaro 2026, ku mutumba Murangara, zone Nyabiraba, komine Gishubi, intara ya Gitega, ikiziga c'umuhungu w'imyaka 6 caratowe mu gitara c'imikaratusi,inyuma y'aho inyururijwe imisi7.Kubwo ivyabona vyaho,uwo yishwe ntiyumva kandi ntiyavuga. Ariko izina ryiwe ntiryari bwamenyekane akaba ari umuhungu wa Ntahizaniye Georges hamwe na Sindayihebura Gloriose.

Ivyo vyabona nyene bimenyesha ko kubera ikiziga cari kiboze bikomeye,abarongozi batanze itegeko ryo kugihamba ubwonyene.Nta n'umwe yikekwa yahagaritswe kandi nta matohoza n'amwe yuguruwe kugira hamenyekane icateye urwo rupfu.

**Ikiziga caratowe muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza**

Mw'ijoro ryo kuwa 25 Mukakaro 2026, ku mutumba Mwuzumure, zone Minyare, komine Cankuzo, umugabo atamenyekanye , yababa imyaka 55 ,yarishwe haca hatorwa ikiziga ciwe bukeye bwaho, kuwa 26 Mukakaro 2026 n'abahita bagiye mu mirima yabo.Kubwo amakuru yaho,ikiziga ciwe cari kimanitse ku giti nk'impene.Uwo mugabo yaranizwe kandi izosi ryatandukanijwe n'umutumba.Uwo muntu ntitamenyekanye kubera ntiyava muri ako karere. Uburongozi bwo muri komine bwaramuhamvye kandi bwo nyene bwavuze ko amatohoza ariko arakorwa kugira uwo muntu amenyekane,abamwishe n' icatumye bamwica.

## II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI

### II.2.1. UGUSHURASHUZWA

***Umukobwa yashurashujwe ku mutumba Nyabikaranka, komine Kayanza, intara ya Butanyerera.***

Kuwa 21 Mukakaro 2026, I. avuka ku mutumba nyabikaranka yo muri komine kayanza mu ntara ya Butanyerera yarashurashujwe na Habarugira Désiré. Uwakorewe amabi yaratwawe ku bitaro bikuru vyo mu kayanza kugira avurwe ariko uwikekwako icaha yarahunze kandi ntiyafashwe kugira ashirwe imbere y'ubutungane.

***Umukobwa yashurashujwe muri komine Mugere, intara ya Bujumbura***

Inkuru yashikiriye umuhari ITEKA kuwa 22 Mukakaro 2026 ivuga ko kuwa 15 Mukakaro 2026, ku mutumba Kabezi, komine Mugere, intara ya Bujumbura, Manirambona Amissi, afise imyaka 49, avuka ku mutumba Minago, zone Minago, komine ya Rumonge, intara ya Burunga yarahagaritswe kubera yashurashuje uwitwa N. J, afise imyaka 19, umunyeshure wo mu mwaka w'9 kw'ishure shingiro ryo mu Rugata, zone Minago, komine Rumonge.

Kubwo ivyabona vyaho, abavyeyi barabonye umukobwa yabuzwe irengero kuva mu kwezi Rusama 2026 baca batangura kurondeza kugira batore umukobwa wabo.Umuryango wararose amakuru ko abana n'uwikekwako icaha,bafadikanije n'intwaro hamwe n'igiporisi caho,baramuhagaritse bongera bamujana kuri komisariya ya komine Rumonge aho apfungiwe.

Igihe bamubaza, umukobwa yavuze ko amaze gushurashuzwa,uwikekwako icaha yamuteye ubwoba baca barajana mu buhungiro mu ntara ya Bujumbura, komine Mugere, aho yakose inzu kugira babane nk' umugore n'umugabo.

Mugihe c'ibipimo vyo ku bitaro bikuru vyo mu Rumonge, basanze umukobwa afise imbanyi y'amezi abiri igihe yahagarikwa.

### *II.2.2. AMABI YO MU MAZU*

***Umugabo yakomerekejwe muri komine Karuzi, intara ya Gitega***

Kuwa 19 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro,ku mutumba Mwoya, zone Buhiga, komine Karusi,intara ya Gitega, Ntukamazina Thaddée batazira Muzarendo, umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka 35 ,akora akazi k'ubumenyeshamakuru muri komine Karusi, yarakomerekejwe n'umugore wiwe mugihe bariko baharira yagiriza umugabo wiwe ko akunda abandi bagore.Kubwo ivyabona vy'aho,abo babiri bubakanye haciye imyaka 2 bari mu ndyane aho uwo mugore yama amwagiriza kuja kurondera abandi bagore, ivyo umugabo atemera.Uwo mugabo yarajanywe ku bitaro bikuru vya Buhiga aho yavuwe hanyuma umugore arahunga aja ahantu hatazwi kubera ntaragaruka.

## *II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

***Umunywanyi wa CNL hamwe n'umunyarwanda bafashwe muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura.***

Kuwa 21 Mukakaro 2026 hafi igihe c'isaha 2 zo mu gitondo,ku kigo c'ubuvuzi Ruhororo, zone Ruhororo, komine Mugina, intara ya Bujumbura, Corneille, umuforoma w'imyaka 40 yarahagaritswe ata mutahe aca ajanwa n'ingendeshwa itaramenyekana i Mugina, n'abagabo bafise inkoho pistolets bambaye ibisanzwe mugihe yari ku kazi kiwe kandi ariko avura umurwayi.Haciye indwi,nta nkuru n'imwe ivugwa ku vyatumye ahagarikwa vy'ukuri hamwe n'aho apfungiwe.

Isoko ryo mu mbonerakure zamugenza imbere yo guhagarikwa kwiwe rivuga ko yagirizwa ko yatse imbonerakure imwe igikoresho talkie-walkie, iyo radiyo ikoreshwa n'imbonerakure nyinshi mu gutumatumanako hagati yabo aca ayigurisha mu Rwanda. Ariko ico yagirizwa carementanijwe kugira kugira bamushireko icaha kubera asanzwe ari umunywanyi wa CNL ibaba rya Agathon RWASA.

Iryo hagarikwa rirateye amakenga rwose abandi banywanyi bayoboka Rwasa kandi ryabaye mugihe uwundi mugwi w'abantu bariko barahigwa bongera bahagarikwa kubera ari abanyarwanda.

Kuri uwo musi wa kabiri 21 Mukakaro 2026, umuntu afise imyaka 70 ava mu Rwanda batazira « Munyarwanda », umuyangayanga akanakora munzu y'uburiro aba i Mabayi kuva 1994, yarahagaritswe iRuseseka muri zone Buhoro mugihe yari avuye kurangura inyama.Abo bamufashe boba ari abo bari bambaye ibisanzwe nyene.

Abanyagihugu b'iMugina basaba ko imvu z'ayo mahagarikwa zose zimenyeshwa abanyagihugu, bongere babimenyeshe abo banyarwanda mugihe ari urubanza rw' ibijanye n'intwaro bibaraba.

### *II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA KU MUTIMA NO KUMUBIRI (Ibikurikira urupapuro13)*

***Umuntu umwe yarahagaritswe muri komine Bubanza, intara ya Bujumburra***

Kuwa 20 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 11 z' umugoroba, umusore yitwa Kinure yarahagaritswe mu bitaro vyigenga iBubanza.Yari kumwe n'umugore wiwe,yari yaraye akomeretse bivuye ku ndyane zo munzu zivuye ku guhemukiranira.Yahagaritswe mumpera z'iyi ndwi,inyuma y'igikorwa cakozwe n' abanywanyi b'imbonerakure.Amaze gufatwa,Kinure yarajanywe yongera ashirwa mu gasho ka komisariya y'igiporisi i Bubanza ikiringo c'imisi ibiri.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIGWI*

### *III.1.AMABI AKORERWA ABANA*

### *III. 1.1. UBWICANYI BUTEGUYE*

***Uruyoya rwatawe mu kinogo c'akazu ka surwumwe muri komine Kayanza, intara ya Butanyerera.***

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa 24 Mukakaro 2026 ivuga ko kuwa 11 Mukakaro umwaka wa 2026, umukobwa yitwa Aline Bitangimana,afise imyaka 25, wo ku mutumba Nyangwe, komine kayanza, intara ya Butanyerera, yibarutse umwana agaca amuta mu kinogo c'akazu ka surwumwe.Kubwo ivyabona vyaho,ababanyi bumvise urwo ruyoya rurira mu kazu ka surwumwe baca batera akamo umugwi uhurikiyemwo bose uraba umutekano.Aline Bitangimana yarahagaritswe aca ajanwa mu gasho ka komine Kayanza uwatawe arakurwa mu kinogo n' abakozi ba croix rouge baca bamuhambana iteka.

***Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine Bubanza, intara ya Bujumbura.***

Kuwa 19 Mukakaro 2026, ku mutumba Mpinga, zone Ntamba, komine Bubanza, intara ya Bujumbura, umugore atagira umugabo,nyina w'abana babiri areze,yaribarutse umwana aca amuta mu kinogo c'utuzu twa surwumwe tw'ishure Ruhondo. Ikiziga c' urwo ruyoya carakuweyo munyuma gica kirahambwa.

## *IV. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi* :**

Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;

Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;

Gufata ingingo zo gusezerera ukudahana amabi hamwe no guhasha abagirwa n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bakishura ivyaha vyabo.